# AGAKETE K INSEZERANO

## Umuhari w'ubutumwa wa Schoenstatt

**« MU NSEZERANO Y'URUKUNDO, TUBE IBIKORESHO VYA BIKIRA MARIYA MU GUHARANIRA UBWERANDA BWA MISI YOSE »**

**Patiri Yozefu Kentenich, umuvyeyi yatanguje Schoenstatt aratuyagira** **Ruheshi 2026 - № 6**




«Urugero rwaho umuntu ageze mu kwiyegurira Schoenstatt, rwerekanwa n'urugero agezeko mu kunywana na Bikira Mariya. Ni muri iyo ntumbero rero dutandukanya ukugira Insezerano y'Urukundo n'izindi ntambuko zayo. Aha dushatse kuvuga « isheke itujuje » canke « urupapuro rwera », kwandika umutima mu mutima w'uwundi (Inscriptio), no kwishikana kwa Yozefu Engling, tukongera kandi tugasaba cane ko abagize imiryango yacu y'abihebeye Imana (instituts) hamwe n'abunze ubumwe mu butumwa (fédérations) boharanira gushika kuri izo ntambuko zitatu z'Insezerano y'Urukundo. **(Joseph Kentenich, Schoenstatt's Covenant Spirituality: Texts by Father Joseph Kentenich Edited by Jonathan Niehaus, chap 6).**

### Tugaruke kuri iryo jambo :

Muryango wa Schoenstatt nkunda, kumwe n'Umwana wiwe mukundwa, Bikira Mariya ni aduhezagire!
Mu kwezi guheze, twayaze ku gutanaga amashikanwa mu kigega c'inema nk'uburyo nyabwo bwo gukuza Insezerano y'Urukundo. Ayo mashikanwa ntitwoyatahura nk'umugirwa ndoramana usanzwe, na cane cane ntitwoyatahura nk'igikorwa cigenga canke kiza hambavu y'ubuzima bwa misi yose. Ni nyabuna inyishu y'urukundo. Gurtyo, uwukunda Imana na Bikira Mariya yipfuza kugira ico akoze ku buryo buboneka ku bwabo. Aratahura ko akigoro kose, inguvu z'ukwumira kwibanga, igisabisho cose, ico cose co kwisonzesha hamwe n'ikindi gikorwa cose c'urukundo gishobora kuba ishikanwa ryama ivyamwa mu butumwa. Ni uko rero impamvu nyamukuru yo gutanga amashikanwa mu kigega c'inema ni inanahazwa ry'Imana hamwe n'iteka rya Mawe wacu nk'Umugabekazi. Si rero ubwambere na mbere ukwerekana ibikorwa vy'umuntu ariko ni ukwitanga, ni ukwizigira hamwe n'ugufasha ko inema z'Imana zidushwara.

Ni iyo mpamvu ituma abemera bashika kure mu Nsezerano y'Urukundo. Tumaze gutahura ko ivyo vyose duhereza ari kugira ngo Imana ininahazwe twongere dufashe mu bikorwa vya Bikira Mariya, si imigenderanire isanzwe yo kuyeyembeza. Turipfuza rero kuja ku yindi ntambwe ihambaye, yizewe kandi yikwije yo kwishikana. Insezerano y'Urukundo ica icika inzira y'ugutera imbere ku mutima yerekeza ubwa mbere ku kwishikana kwa muntu, ubwa kabiri ikerekeza ku ntambwe zikomeye nk' « isheke itujuje » canke « urupapuro rwera », ukwandika umutima mu mutima w'uwundi, no kwishikana kwa Joseph Engling. Ni uko rero, « isheke itujuje » canke « urupapuro rwera » vyerekana intambwe ya mbere muri urwo rukurikirane. Uwugize iyo ntambwe wese aba yemeye gushira vyose mu minwe ya Bikira Mariya, ukwari kwose, ivyo afise vyose, ariko kandi n'ivyo vyose Imana izomurungikira muri kazoza. Ivyo bikaba bigizwe n'ivyiza n'imibabaro, iterambere canke ugutsindwa, amagara meza canke amagara make, umuco canke ibigeragezo. Biciye kuri uwo mugirwa, uwishikana amenya ko atariwe ayobora ubuzima bwiwe akoresheje imikenyuro yiwe bwite. Amenya nyabuna ko Bikira Mariya ashobora kugenza ubuzima bwiwe uko ashaka kubw'ininahazwa ry'Imana. Ni igikorwa co kumwiyegurira mu kwizera, kikaba gikomeza Insezerano y'Urukundo mu kuyishimangira.

Ikindi ni ukwandika umutima m'uwundi « Inscriptio », uwo mugirwa ugera kure cane. Ntibisigura gusa ko ari ugutanga ubuzima bwawe, ariko ko ari ukwandika umutima wawe mu mutima wa Bikira Mariya. Iryo jambo risigura cane ubunywanyi bwimbitse kandi bw'umwihariko. Uwo mugirwa uduhamagarira no kwakira imisaraba mu kwemera no mu rukundo. Gusaba mu bugamburutsi ntangere ko Imana ishobora no kuturungikira imisaraba yose ibona yoba ikenewe, bidasigura kurondera ububabare kubera ububabare gusa, ariko nyabuna kwemera kugira uruhara mu buzima bwa Kristu kugira ubutumwa butere imbere. Iyo ntambwe irerekana cane ko umuntu akunda Imana mu kwemera ibitugora, mu kwivako no kwitanga kuko aba azi neza ko ivyo bishobora kunezera Imana no gufasha abandi.

Igikurikira, ukwishikana kwa Yozefu Engling, kutwereka intambwe ihambaye muri uko gutera imbere mu Nsezerano y'Urukundo. Ukwo kwishikana kudufasha kwegurira Bikira Mariya ubuzima bwacu, hamwe ivyo vyoba ari ishaka ry'Imana, ku bw'igikorwa ca Mawe Atangarirwa Gatatu akaba n'Intsinzi ya Schoenstatt. Mu gufatira kuri Yozefu Engling, tuba dushatse kwibutsa ubushingantahe bw'uwo musore ari mu batanguye umuhari wa Schoenstatt, akaba yaratanze n'ubuzima bwiwe mu kwiyegurira Bikira Mariya. Uko kwishikana kwerekana ko Insezerano y'Urukundo, iyo umuntu ayibayemwo gushika ku kanyuma, ari inzira itazimiza y'ubweranda bwa misi yose n'ubutumwa. Uwo muntu ntaguma gusa ari umukristu asenga, ahubwo nyabuna aba icabona mu kwitanga wese.

Mu kurangiza, ugutanga amashikanwa mu kigega c'inema, gutumwe no kurondera yuko Imana ininahazwa no kubwo urukundo rwa Mawe, kutwugururira inzira yo kubandanya ubutumwa. Adutuma dushika kure mu kwitanga, dushika ku gutanga « Isheke itujuje » canke « urupapuro rwera », ku kwandika umutima mu mutima wiwe hamwe no kukwishikana nka Yosezefu Engling. Niho turonkera abantu bashoboye kubaho mw'isi y'uno musi badatakaje umutima wabo, ukwigenga kwabo n'iteka ryabo. Muri iyi si itwarwa n'ubuhinga bwa none, gutanga amashikanwa mu kigega c'inema biratwibutsa ko ubukuru bw'umuntu butari mu vyo aharura ku bwiwe ahubwo nyabuna ko buri mu gukunda, mu kwitanga no mu kunga ubumwe n'Imana mu nsezerano nzima **(Patiri Jean Bosco Habonimana, Umuyobozi w'umuhari wa Schoenstatt mu Burundi)**

## Amakuru y'umuryango wa Schoenstatt

***-- Igisata c'Ingo za Schoenstatt : Inyigisho z'abunganirango mu vyerekeye gutunganya imvyaro mu buryo kama.***

Mu ntumbero yo guterera agacumu k'ubumwe amadiyoseze mu twigoro agira mu guhangana n'ibibazo bikomoka kw'igwirarirana ry'abantu biciye mu gutunganya imvyaro mu buryo kama hamwe n'indero ndangagaciro k'umuryango, umugwi ujejwe ubutumwa bw'abalayike, umuryango n'ubuzima barahuriye hamwe mu nama z'abunganirango mu madiyoseze Gatolika yose y'i Burundi. Mw'ishirwa mu ngiro ry'ico gikorwa, uwo murwi ukaba wikoze ku mirwi isanzwe irangurira ubwo butumwa mu gihugu. Muri iyo ntumbero, abajejwe kwigisha abunganirango mu murwi w'ubutumwa nyunganiramiryango ukukira igisata c'Ingo za Schoenstatt AF-OFS batanze inyigisho ku ngo 49 zitavye urwo ruganda mu madiyoseze ya Ruyigi, Bubanza, Bujumbura, Bururi na Rutana.

Ico gikorwa catanguye ku wa 12 Ntwarante kikazorangira ku wa 4 Mukakaro 2026. Tubamenyeshe kandi ko kuva ku wa 14 gushika ku wa 17 Rusama, ingo 10 zahawe inyigisho kugira ngo zizofashe abunganirango kwongereza akanovera mu nyigisho batanga no mu gutororokanya ibitigiri vy'ingo bigisha gukoresha uburyo kama. ***Xaverius Ndayisaba***

### -- *Schoenstatt - Diyoseze Ngozi*

Umuryango wa Schoenstatt muri Diyoseze Ngozi urakomeza kwitwararika ubutumwa aho abanyamuhari babaye, mu buzima bw'Ekleziya no mu kibano. Mu kwitegurira umwirimburo w'igice ca mbere c'umwaka w'ubutumwa wa 2025-2026 (Ihwaniro ryo kuri Asensiyo), abasuku b'umuhari mu ma paruwase, mu ntara z'ubutumwa bari kumwe n'abagize urwego rw'umuhari muri Diyoseze barahuye kw'igenekerezo rya 25/4/2026 i Ngozi kugira barimburire hamwe ubutumwa bongere bafatire hamwe indinganizo yo gufata mu mugongo abarongozi bitaba ubutumwa mu ma nama-hwaniro ku rwego rwa Diyose hamwe no ku rwego rw'igihugu. Barayaze ingene uburongozi bwotunganywa hisunzwe indinganizo ya CDAL ; uruhara rw'abanyamuhari wa Schoenstatt mu butumwa ; kwitegurira amahwaniro mu muhari no mu bisata vy'umuhari ; guterera mw'ihwaniro ry'urwaruka ku rwego rw'igihugu no muri Diyoseze, imanza n'amayubire. Ivyo bikaba ari bimwe mu myitwarariko y'abanyamuhari muri Diyoseze ya Ngozi mu kuba ibikoresho vy'ukuri vya Bikira Mariya. ***Benjamin Hitimana***

**-- Igisata c'abagabo n'abasore ba Schoenstatt muri Diyoseze Bururi**

Kuva kuwa 1 gushika kuwa 3 /5/2026, Dusengeyezu Léon arangurira ubutumwa mu biro bikuru vy'umuhari yaragendeye igisata c'abagabo n'abasore bo muri Diyoseze Bururi. Ku musi wa mbere yagendeye abagabo n'abasore bo mu ntara y'ubutumwa ya Bututsi ya mbere n'iya kabiri. Bakaba bahuriye kuri paruwase Kiryama. Umusi wa kabiri yahuye n'abo mu ntara y'ubutumwa y'Imbo bakaba bahuriye kuri paruwase Rumonge. Ku musi wa nyuma naho bahuye n'abo mu ntara y'ubutumwa ya Buragane bakaba bahuriye kuri paruwase Makamba. Aho hose ibiyago vyari bishimikiye ku bintu bitatu : 1° Insezerano y'Urukundo no kugutanga amashikanwa mu kigega c'inema ; 2° Itunganywa ry'ihwaniro ryo mu ci. 3° Itunganywa ry'ico gisata muri diyoseze Bururi. Abari bitavye inama barashoboye kwitorera abasuku ku rwego rw'intara y'ubutumwa. Nabo bakazoja hamwe kugira batore abazobaserukira ku rwego rwa diyoseze. ***Léon Dusengeyezu***

***-- Ihwaniro rya Rusama 2026***

Kuva kuwa 14 gushika kuwa 16 Rusama 2026, kuri Mont Sion Gikungu, harakoraniye ihwaniro ry'abibutsamana n'ababunganira mu butumwa mu madiyoseze. Amadiyoseze yose uko ari 8 yari yaserukiwe. None ihwaniro rya Rusama ni iki mu muryango wacu wa Schoenstatt aha mu Burundi ? Ni akaryo abibutsamana n'ababunganira mu butumwa bagiwe imbere na patiri muyobozi w'umuhari ku rwego rw'igihugu ko guhurira hafi y'agasengero ka Mawe ngo barimburire hamwe ingene icivugo catowe mu ndwi ya Gitugutu kiriko kirafasha umuryango wose. Ni kandi akaryo ko kwinagura mu nyigisho be no mu gisabisho. Hari hategekanijwe ibiganiro bitatu : 1⁰ Ukunywana na Bikira Mariya mu Nsezerano y'Urukundo be n'intambuko zitandukanye z'uwo mugirwa cashikirijwe na Patiri Félicien Nimbona. 2⁰. Intererano mu kigega c'inema nk'uburyo nyabwo bwo kugendera Insezerano y'Urrukundo. 3⁰ Ingene twokwigenza mu kwezi kwa Rusama. Ivyo biganiro bibiri vya nyuma vyatanzwe na Mama M. Françoise Nimubona. Ihwaniro ryasozerewe kuwa gatanu ku mugoroba mu gusabikanya ivy'Imana yaduhaye. ***Philippe Kitabu***

**-- Igisata c'abigeme biga muri za kaminuza**

Kuwa 17 Rusama 2026, igisata c'abigeme biga muri za kaminuza (igisata c'abigeme bicisha bugufi ba Mawe Atangarigwa Gatatu wa Schoenstatt) caragize inama nkuko vyama buri wamungu wa gatatu w'ukwezi. Muri iyo nama barahawe inyigisho na Mama Scolastique. Iyo nama yari ishingiye ku civugo kivuga kiti: "Uguhurumbira ubutwari, akarorero ka Nyina w'Imana." Yarasiguye ko ubutwari bisigura ukwitanga n'urukundo rurengeye. Ubweranda bwa misi yose nibwo butwari nyakuri. Muri Schoenstatt, ubweranda busobanura gutera intambwe uciye bugufi kandi ukagumya ibanga mu tuntu dutoduto tw'ubuzima bwa misi yose. Ubutwari na bwo si ubw'aberanda bamwe bamwe gusa, ahubwo ni ukwitanga n'urukundo rurengeye mu kuvuga "EGO", kwemera ugushaka kw'Imana mu muvuduko w'ubuzima n'imisaraba ducamwo. Yabandanije avuga ko ukwezi kwa gatanu muri Schoenstatt ari ukwezi kw'amashurwe. Uko kwezi si ukwo gusaba gusa, ahubwo ni ukwezi kwo gushikanira Bikira Mariya amashurwe y'umutima mu kwongereza gushikana amashikanwa mu kigega c'inema. Twisunze akarorero ka Joseph Engling, turabona uko yashoboye kuba mu kwezi kwa gatanu mu kurangura ibikorwa n'utwigoro, nk'uko yabigabuye mu mashurwe 5 y'umutima : 1. Iroza ry'urukundo n'ubwubashi ; 2. Myosotis ("Ntunyibagire») y'ukwama ngukorera ; 3. Viyorete yo guca bugufi ; 4. Ishurwe ry'ububabare n'urukundo rwitanga: 5. Ilisi ry'ubutore. ***Mama Yvonne***

Kandikwa n'Ibiro vya Schoenstatt mu Burundi n'ibihugu bibanyi, Mont Sion Gikungu, B.P. 374 Bujumbura, Tél. (+257) 22 23 40 72, Mobile:(+257) *65 161 983 * E-mail: schoenstatt.grandslacs@gmail.com,* Mont Schoenstatt Gikungu, B.P. 2240 Bujumbura. Tél. (+257) 22 23 06 89, Compte bancaire : BCB, Nom : Pères de Schoenstatt, N° 201-0033220-93, Mention : Centrale de Schoenstatt, Agatererano katavuna ku Nomero : amafaranga 100 y'amarundi. Site web: www.pères-schoenstatt.org